Education
Public Schools

Ride a bicycle safely




# IVYEREKEYE KWIRINDA IMPANUKA MW'IBARABARA

**URAFISE URUHARA MU BIJANYE N'UMUTEKANO W'ABANA BAWE MU GIHE BARIKO BAJA CANKE BAVA KW'ISHURE.**

## Nyonga ikinga ukwirikije amategeko

Kubera ubushobozi bw'abana bakiri bato buba bukiriko burakura kugira bashobore kunyonga ivyuma bonyene, ahantu hatekanye ho kunyongeramwo amakinga, scooters na skateboards ni mu bibanza bizitiye.

Imbere y'uko abana bakwiza n'imiburiburi imyaka 10 bategerezwa kunyongera ivyuma kure y'imiduga n'inzira y'imiduga yinjirira canke isohoka impangu. Kubera baba bariko biga kunyonga icuma ni ngombwa kunyonga canke kubagendera iruhande kandi mukavuga ivyerekeye ingene umuntu anyonga neza ikinga.

Abana bari hagati y'imyaka 10 na 12 bategerezwa kunyongera ivyuma kure y'amabarabara aguma ahitamwo imiduga.

Abana bari musi y'imyaka 16 n'abanyonga ivyuma bakuze babaherekeje kandi bariko barabacungera barashobora kunyongera mu kayira gacamwo abagenda n'amaguru, kiretse hari ivyapa bivuga neza ko ata kunyonga ivyuma.

**Igisha abana bawe kunyonga neza amakinga kugira misi yose bame:**

- bakwirikiza amategeko y'ibarabara harimwo:
  - kunyongera mu kuboko kw'ibubanfu mu nzira icamwo abagenda n'amaguru
  - kubisa abagenda n'amaguru mu nzira icamwo abagenda n'amaguru
  - kwitwararika imiduga yinjira canke isohoka impangu
- ambara neza inkofero zigenewe kunyoma amakinga – ni itegeko
- ambara impuzu z'ibara rikayangana nk'ikoti kugira abandi bakoresha ibarabara bashobore kuzibona.

**Ukeneye ubundi bufashwa**

Ja ku gisata kijejwe Inyigisho Zijanye n'Umutekano wo mw'Ibarabara kuri https://education.nsw.gov.au/road-safety-education canke uje kuri https://education.nsw.gov.au hanyuma urondere inyigisho zijanye n'umutekano w'ibarabara.

**Ku bana bisumbuye, iyumvire neza ku vyerekeye ibi bikurikira mu gihe uriko urapima ubushobozi bw'abana bawe bwo kunyonga ivyuma bonyene:**

- Umutekano wifashe gute mu nzira bacamwo?
- Ubushobozi bwabo bwo kunyonga ivyuma bwifashe gute?
- Bazi gute ibijanye n'uruja n'uruza mu karere baherereyemwo?
- Bashobora gutunganya neza gute ivyaduka?

Ishule ryawe rizofata ingingo zijanye n'ingene abanyeshule bazana amakinga mu bigo vy'ishule. Suzuma yuko abana bawe bakwirikiza ibi umwanya wose.

